ARCHIDIOCESE BUJUMBURA
B.P 690 BUJUMBURA
Tél 22 23 14 76

Itangazo ry'umusi mukuru w'umuvyeyi wacu Papa

Ku musi mukuru w'abatumwa beranda Petero na Paulo wa buri mwaka, ni ho Ekleziya ihimbaza umusi mukuru w'Umusubirizi wa Petero mweranda, ari we Papa. Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, yifatanije n'Intumwa ya Papa mu Burundi, aratumiye abakristu bo mu maparuwase yose ya Diyoseze nkuru ya Bujumbura, kuzohereza inkuka y'imisa yo ku wa gatatu igenekerezo rya 29/06/2022 basabira ku buryo budasanzwe, Nyenubweranda Papa Fransisko. Muri iyo nkuka y'imisa, amashikanwa yose azotangwa azoca azanwa muri diyoseze, arungikirwe uyo muvyeyi Papa, nk'uko bisanzwe bigirwa muri Ekleziya nzima.

Ariko muri paruwase mvyeyi-Cathédrale Regina Mundi, uyo musi mukuru uzohimbazwa ku buryo budasanzwe ku wa kane igenekerezo rya 30/06/2022, isaha y'icumi n'imwe n'igice (17h30), mu nkuka y'imisa izoba irongowe n'Intumwa ya Papa mu Burundi ari kumwe n'Umwungere mukuru wacu. Turatumiye abasaserdoti, abihebeye Imana n'abakristu balayike bo mu gisagara ca Bujumbura, kuzoza ari benshi kwifatanya n'Intumwa yiwe mu Burundi hamwe n'Umwepiskopi Mukuru wacu.

Kaze muri benshi, dusangire ico gisabisho.

Bigiriwe i BUJUMBURA igenekerezo rya 22/06/2022

Mgr Anatole RUBERINYANGE, Vicaire Général

Scanned by TapScanner